Ijwi Ry'Imana Muri Iyi Minsi Y'Iherezo

Ata nkeka ni amahirwe kuba tugarutse muri bano bantu baba Esipanyole kano gatondo. Sinzi ko Jim ibi ariko arabifata. Oo, egome ariko arafata amajwi. Ndacafise ibande ya korare ntoya y'aba Esipanyole yakoze ubushize aho nari hano hamwe na Mwene Data Garcia. Ndibagiye ya ndirimbo bahora bakunda kundirimbira. Ariko, oo, ese ingene nayikunda! Abo bana ubu bose barakuze kandi barubatse izabo. Nza ndumva amakuru yabo rimwe na rimwe. Kandi ninjiye kano gatondo nca ndabona ka Joseph, hari ikintu vyankozeko vy'ukuri, kandi vyanezereye vy'ukuri kukubona.

2 Rero, ubu, ndafise ijambo rimwe nshobora kuvuga mu ki Esipanyole. Muripfuza kuryumva? "Haleluya!" Sinzokwigera nibagira ijambo rya...igihe kimwe nariko ngeregeza ng'umugore w'igipfamatwi anyumve. Rero, birashoboka ko nobivuga nabi, murabona, ariko aho ngeza kwibuka ryari "oye." Ni vyo? *Nyumva* jewe. *Umva*, "oye." Hanyuma kandi sinzokwigera nibagira, "Gloria a Dios!" Vyari vyiza pe! Oo, nararonse akaryo ko kuja hariya mu murwa mukuru, Mexico City, ndavugana na bo hariya. Ukuntu nari nezerewe! Nahora...

3 Nari muri Finilande mvuye ngaha. Kandi vyama binyibutsa ikiganiro nagiraniye n'umugore muto w'umunya Finilande. Barancanye ahantu bo bita "betaniya." Buri gihugu gifise uko kibona ibintu. (Mbega, murumva ijwi ko ryisubiriza, negereye cane kino? Murashobora kwumva neza? Ni vyiza.) Uyo mugore muto, yari umuntu muto w'igikundiro. Ariko yari ameze nkanje, yakunda kuvuga amajambo menshi. Hanyuma umusobanuzi...yavuga anyarutsa cane, maze—maze umusobanuzi ntashobore kubivuga ngo anyarutse nk'uko we yashaka kubivuga. Yarashobora guhaguruka agatukuriza mu maso, avuga ati: "Ndafitiye agashavu bariya bantu b'i Babuloni."

4 Ariko, murazi, nasanze i—inyoni zose ziririmba mu Congereza, imbwa zikuga mu Congereza, abana barira mu Congereza. Sinzi ingorane dufise iyo ari yo uko biri kose. Ariko umwe wese muri twebwe yiyumvira ko ururimi rwa—rwabo arirwo ruzovugwa muri ya Nganji y'imyaka igihumbi, ata nkeka. Ariko twebwe twaronse Mpwemu Yera, uko ni ukuri, kuko dufise ururimi rwo mw'Ijuru.

5 Turi kumwe na Mwene Data Rowe kano gatondo,

umudipolomate yavuye i Washington. Nibaza ko yakoranye n'Aperezida batanu canke batandatu, Abaperezida indwi. Kandi murazi ukuntu niyumva mpagaze ng'aha, aha hantu hakirurutse, mvuga, hari umuntu nk'uyo yicaye inyuma yanje. Ariko intahe yiwe yamye ari iyihambaye cane kuri jewe, cane cane igihe . . . Nibaza ko yari Umuluteriyano nimba ntihenze, Umugatolika canke Umuluteriyano, Umuluteriyano. Yavuze ko ya . . . ikintu kijanye no kwavura munsi y'ihema mu gikorane c'Abapentekoti, hanyuma arahaguruka . . . Amaherezo yaciye agenda aja kuri alutari, igihe yabikora, Umwami yaciye amwururukirako aramuhezagira cane gushika aho . . . Nibaza ko ashobora kuvuga hafi indimi indwi zitandukanye. Kandi ngo yarageregeje rumwe, "biranka," hanyuma agerageza urundi, "biranka." Kandi nibaza ko ashobora kuvuga iki Esipanyole nkamwe mwese. Rero ngo ya—yarazigerageje zose, zose ziranka. None, murabona, murazi, Imana yabaye nziza cane, ku buryo Yaciye imanuka imuha ururimi atari bwigere agerageza imbere y'aho, avuga ko aho, "Vyaciye bikunda." Ivyo ni vyo. Nibaza ko ariko bizoba biri hariya hakurya.

6 Mfise ibintu vyisnhi nibuka kuri rya shengero rito hariya, nibaza ko . . . oo, ndibagiye aho riri. Riri ahantu hanaka hano hafi y'Ibarabara Tonto. Ivyo ndavyibuka. Ndashobora kwibuka ijambo "Ibarabara Tonto," aho ishengero Spanish Apostolic ryahora riri.

7 Nariko mbwira umwungere nti: "Iki coba ikibanza ciza cane co kugiriramwo umuvyuro," hari ibibanza vyinshi, ni ishengero rishasha, ni abantu bameze neza. Rero nibaza ko vyoba bibereye ko umunsi umwe hobera umuvyuro. Mubisengere, tuzoze tuhagirire umuvyuro. Rero, nibaza ko ari isubiramwo gusa ry'uwo twaronse muri ririya rindi shengero. Ndibuka abantu bahagaze mu kibuga, begamiye uruzitiro, hose mu mabarabara, mu gihe nariko ngerageza kuvayo mw'ijoro, wari umunezero vy'ukuri ntarigera nibagira. Ndafise i—ibande ya ba bapfasoni bato, ba bakobwa na ba bene Data baririmba bakazishira kw'ibande. Kandi barageregeza kuririmba "Only Believe," ["Izere gusa,"—Umus.] ariko ntibabivuge neza, murazi. Bo bavuga, aho kuvuga ngo "only believe," baca bavuga ngo "yeonea believe," murabona.

8 Kandi ndibuka Rebeka, umukobwa wanje, na Sara, n'ubu baracabivuga ngo, "Papa, ririmba, vuza ya bande ya ba bana . . . " Aho kuvuga ngo "Esipanyole," ntibashobora kuvuga iryo jambo, bavuga ngo: "Abakobwa b'aba Sipinaci, ba bakobwa bato b'aba sipinaci baririrmba ngo 'Only Believe.'"

9 Egome, ndibuka ko bakurikiranye ico gikorane. Igihe umuvyuro wariko uraba, barakurikiranye igikorane hose gushika ku Nkengera yo mu Burengero. kandi na . . . hari ikintu gito cashinze inanga mu mutima wanje igihe twava muri California, twe na Mwene Data Moore, na Mwene Data Brown,

hariya ruguru ku mugwa mukuru. Igihe nariko ndagenda nca muri iyo nyubakwa iryo joro, abo bana bahagaze ngaho bariko baririmba bati: "Arakwitayeho." Muramaze kuyumva. "Haba ku zuba canke mu bitutu, Arakwitayeho." Incuro nyinshi mu bihugu vy'amahanga, ku bibuga vy'intambara vy'isi, iyo ndiko ngerageza kujana Ubutummwa bwa Kristo, nca nibuka abo bakobwa n'abahungu bariko barandirimbira iyo ndirmbo, "Arakwitayeho. Ku zuba canke mu bitutu, Aguma akwitayeho." Rero ivyo vyambereye uguhumekerwa guhambaye, imfashanyo.

10 Nabonanye n'umwungere wanyu mwiza, kandi ndanezerewe no kubona ishengero ari rizima kandi murafise iyi nyubakwa nini nziza hano, ibakwiye mwese, ifise ikibanza gikwiye co guhagarikamwo imodoka. Vy'ukuri ni ikibanza nyaco mu biganza vya Mpwemu Yera, hamwe gusa twobiMwereka akamenya ko turiko dusaba umuvyuro. We, ndizera ko Yowuduha.

11 Rero, iri joro tuza kuba turi mw'ishengero rya Mwene Data Outlaw, ishengero ry'Izina rya Yesu, hariya hakurya. Kandi Mwene Data Outlaw ndibaza . . . nawe nyene ni uwo mw'ishegero ry'Intumwa. Nibaza ko aryita, ishengero, Izina rya Yesu. Nibaza ko afise ukwizera kw'intumwa. Rero niho tuza kuba turi uyu munsi mw'ijoro. Ubu rero ntituriko tubwira ishengero ry'aba Esipanyole ngo: "muze kuza hariya," kuko mutegerezwa kuguma aho mukorera igikorwa. Hanyuma hazoca haba ihwaniro rinini ry'Abarwizatunga b'Abakristo, rizotangura ku wa kane, inyuma yuko ibikorane bizoba birangiye mu yandi mashengero, ku wa kane. Kandi muri ico gikorane, bazoba bafise abazofata amajambo bahambaye, nka Oral Roberts, n'uwundi mwene Data w'Umumetodiste aheruka gukizwa, kandi bavuga ko ari imvuzi y'inguvu. Kandi ndazi ata nkeka ko muzonezererererwa ivyo bikorane. Namwe bane mukiri imiyabaga, bazogira igikorane c'imiyabaga nayo nyene, nk'uko mwene Data ahejeje kubimenyesha. Nanje nzojanayo abana banje kugira bashobore kukizamwo. Kubw'ivyo rero namwe muzoze, tuzonezerezwa no kubana namwe. Umwami Abahezagire mwese.

12 Rero ubu nshaka ko tuzingurura Bibiliya dusome Ijambo ryiWe rihezagiwe. Kino gitondo nahisemwo, akanya gatoyi gusa, sinshaka kubatevya, ibisomwa binaka, kimwe muri vyo tugisanga muri Samweli wa mbere, ikindi muri Yesaya. Nashaka dusome muri Yesaya ubwa mbere. Hanyuma nda . . .

13 Mbega mwese muranyuma neza, hiyo hose? Hagati y'izi mikoro, zisa n'uko umengo zirafata ijwi ryanje cane, sinzi igituma. Murumva neza hiyo, duze amaboko. Ni vyiza, ni vyiza.

14 Rero, ndasaraye gatoyi, ata nkeka, biva ku kuvuga cane. Kandi kuva aho mperukira ngaha muri aba bene Data b'aba Esipanyole, haraheze nk'imyaka cumi n'itandatu, ndibaza, kumbure nk'imyaka cumi n'itandatu canke cumi n'indwi,emwe,

n'ubu ndacavuga ubutumwa kuva ico gihe. Kubw'ivyo nari ndushe ico gihe, niko navuga, kandi n'ubu ndacarushe, ariko ndacabandanya kubw'ubuntu bw'Imana.

15 Ubu rero reka tuzingurure muri Yesaya 40, igice ca 40 ca Yesaya; hanyuma n'igice ca 1, nako igice ca 3 ca Samweli wa Mbere. Mu gihe tugifashe ivyo bice kugira ngo dusome Ijambo, Nashaka ko twunamika imitwe yacu akanya gato kugira ngo dusenge.

16 Data wa twese Uri mw'Ijuru, turashimye uno munsi kw'ibakwe Utugiriye ryo guhagarara hano hantu heza ho gusengera hashikaniwe Imana kandi hagenewe igikorwa caYo. Kandi nk'uko tuzi yuko abasavyi baWe bahagaze inyuma ya kino gikwa nako iyi alutari incuro nyinshi, n'ubuzima bushikaniwe igikorwa caWe.

17 Kandi ko *ibi*, kino gitondo, bitera kwibuka, kwibuka umuvyuro wari ugitangura, na Mpwemu Yera yari yamanutse mw'ishusho y'Umuco munini, nk'Inkingi y'Umuriro, kandi Yavuze ko buno Butumwa bwokubuye isi. None uyu munsi ivyo vyarabaye. Ubutumwa bwatse umuriro biciye kubantu bahambaye, bamaze kuBubona, nka Oral Roberts na Tommy Osborn, na Tommy Hicks n'abandi benshi. Kandi biciye ku twigoro twashize hamwe, turabona ko Ubutumwa bwakije imiriro y'umuvyuro muri buri hanga riri munsi y'Ijuru, y'Ubutumwa bwa gipentekoti. Kubw'ivyo tuGuhaye amashimwe n'icubahiro, Ewe Mana Nyenubushobozi.

18 Kandi uno munsi tugusenze ngo Utunganye imitima yacu, yitegurire Izamurwa rihambaye rigiye kuba vuba, turavyizeye. Kandi namba imitima yacu ititeguriye ivyo canke ikindi kintu ico ari co cose Utubikiye, turagusavye ngo Uduharire amakosa yacu, hanyuma uvugane natwe uyu munsi biciye mw'Ijambo RyaWe. Hezagira umwungere wa rino shengero, abadiyakoni baryo, abazezwabintu baryo, n'abalayike bose, abanywanyi. Hezagira iyi korare ntoya, n'uwuvuza ikinanda, n'abacuraranzi. Bose hamwe, hezagiga abinjira mu miryango ya kino kibanza. Buri gihe baze bame basohoka bahindutse, baKwegereye kurusha uko baba binjiye bameze. Ubiduhe, Data. Kandi bibe gutyo, na kino gitondo, kuko tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

19 Rero tuzingurure Igitabu ca Yesaya, igice ca 40, dusome.

> *Ni muhumurize abantu banje, ni mubahumurize, niko Imana . . . igize.*
>
> *Muremeshe* n'amajambo ahumuriza *imitima* y'*ab'i Yerusalemu, mubabwire musemerera yuk'intambara zaho zibangurukanye, k'umwenda w'igicumuro caho ushize, kukw'ivyaha vyabo . . . babihaniwe kabiri n'ukuboko k'UHORAHO.*

Ijwi ry'usemerera mu bugaragwa, *ati ni mutegure inzira y'UHORAHO, musenere Imana yacu inzira y'iroro mu bweranyange.*

Umwonga wose uzokwuzuzwa, n'umusozi wose n'akarambi bizoringanizwa: ahar'udutumba hazotega, uduhogoro ducike ikiyaya:

Maz'ubwiza bw'UHORAHO buzohishurwa, kand'abafise umubiri bose bazobubonera rimwe: kuk'akanwa k'UHORAHO ariko kabivuze.

Ubu naho mu Gitabu ca Samweli, Samweli wa Mbere, igice ca 3, nshaka gusoma umurongo wa 1, uwa 2, n'uwa19:

Uwo mwana Samweli yakorera UHORAHO imbere ya Eli. kandi mur'iyo misi ijambo ry'UHORAHO ryari risigaye ari imbonekarimwe; nta kwerekwa na we kwari kukiriho cane.

Maze birashika *ico gihe,* Igihe Eli yari aryamye ahantu hiwe*, kandi yar'atanguye guhuma, asigaye ahwihwisha gusa;*

. . .itara ry'Imana ritarazima mu rusengero rw'UHORAHO*, ah'isandugu y'Imana* yari iri*, Samweli na we aryamye.* [Bibiliya y'Icongereza KJV—Umus.]

UHORAHO ahamagara. . .nawe aritaba *ati, Sabge.*

Umurongo wa 19:

Nuko Samweli arakura, UHORAHO abana na we, ntiyakunda ko hari ijambo na rimwe rya Samweli rikorokera hasi.

20 Oo, ico coba igisomwa gikwiye ku buryo twoshobora kukivugako ukwezi kwose, kandi twoshobora gukuramwo inyigisho nyinshi muri kino gisomwa ciza cane. Ariko kino gitondo, dufise hafi iminota mirongo ibiri kugira ngo dusohoke ku mwanya mwiza mw'i. . .Nibaza ko ishure ryo ku w'iyinga ryarangiye canke kumbure ko riza gukurikira, sindabizi. Ariko, uko biri kwose, nshaka gukoresha icigwa, *Ijwi ry'Imana Muri Iyi Minsi Y'Iherezo.*

21 Ni igihe gihambaye cane. Turabona aho turiko turavuga mu Vyanditswe, ko havuga ngo, "Nta kwerekwa kwari kukiriho cane muri iyo misi ya Samweli." Kubw'ivyo, "ahatagira iyerekwa," Bibiliya niko ivuga, "abantu barahona." Dutegerezwa kugira iyerekwa. Kandi amayerekwa aza ku bavugishwa, kandi ni ryo Jambo ry'Uhoraho babwirwa.

22 Kandi turabona ko Eli atari umuvugishwa, Eli yari umuherezi. Yariko arasaza, n'amaso yiwe yari atanguye guhwihwishwa, ntiyashobora kubona neza ngo agendagende, yari umuntu yiremereye cane. Kandi yari yaratanguye kureka igikorwa c'Uhoraho kigakorwa minenerwe.

23 Kandi bisa nk'uko bimeze uno unsi. Ndiyumvira ishengero, ishirahamwe n'amadini, babaye mu gikorwa igihe kirekire, none batanguye kudebukirwa. Kandi igikorwa c'Umwami cantanguye gufatwa minenerwe, Ijambo ry'Ukuri, kuko ishengero, muri ryo ubwaryo, ryatanguye guhwihwisha ritabobona neza. Kandi dukeneye, uno munsi, Ijwi ry'Imana hagati yacu, kugira ritugarukane.

24 Kandi, murabona, Eli yari aryamye, kandi a . . . amaso yiwe ntiyari akibona neza. Yari umuherezi. Kandi nta yerekwa ryeruye riva k'Uhoraho ryariho. Kandi cari ikintu gikenewe cane!

25 Kandi Imana yarasezeranye gutanga ibikenewe kino gihe. Yama Ibikora. Kandi dukeneye Ijwi ry'Imana kino gihe, kugira ngo ribe inyishu ku bikenewe muri iki gihe, kugira ngo rihangane n'igihe tubayemwo. Kandi Imaze kubisezerana, turashobora gutekana tuzi neza ko Izoshitsa isezerano ryaYo. Ivyo nivyo vyizigiro uwizera afise ku Muremyi wiwe, ko Yasezeranye kuduha ivyo dukeneye.

26 Kandi, kino gihe, imvo imwe ituma ishengero riri uko rimeze, n'uko hari amajwi menshi cane, ayandi majwi menshi cane akwega ishengero arikura kw'Ijwi ry'Imana, kuburyo umuntu yokekeranya cane ko benshi bokwumva Ijwi ry'Imana n'ubwo Ryovugira neza na neza hagati yabo. Kumbure ntibonaRitahura, kuko Ryoba ari ikintu kitamenyerewe kuri bo. Bashize umutima cane ku majwi ya kino gihe!

27 Hamwe twihweje, mu Canditswe twasomye, n'uko Ijwi ry'Imana ritari rimenyerewe kuri bo.

28 Kandi ni ko vyongeye kuba n'uno munsi, ko Ijwi ry'Imana . . . Hariho ayandi majwi menshi cane. Rero namba Imana yararasezeranye ko IzoRiduha, kandi ayandi majwi akaba anyuranye n'Ijwi ry'Imana, aho rero ategerezwa kuba ari amajwi y'umwansi wacu, kugira ngo atuzazanye, ngo ntidutahure Ijwi ry'Imana igihe Rivuze.

29 Kandi turabona ko vyari ibintu bisa n'ivyo vya Eli na Samweli, ariko Eli yaciye amenya ubwo nyenye ko ari Imana. Kandi ataguca irya n'ino cari i—igitutsi kuri Eli. Kuko, Ijwi ry'Imana, rivuganye na Samweli, Ryari ryamubariye ibikorwa bibi vya Eli, kuko yari yarafyinishije abahungu biwe, bari basigaye batwara amahera na—n'inyama zo mu vyatanzwekw'ibimazi. Ivyo ntivyari vyiza. Bariko bakora ibintu bibi, binyuranye n'Ijambo ry'Imana.

30 Kandi Samweli yari afise . . . ikintu conyene Samweli yari ashoboye gukora, kwari ukuvuga ataco anyegeje. Ariko yasa n'uwijijanya imitima kubikora, kuko vyari ibivuga nabi ikibanza yari yurungitswe kurererwamwo, Eli hamwe n'urusengero. Ariko Eli yamubwiye ati: "Vuga." Murabona? Hanyuma aca amubwira neza na neza ivyari bigiye kuba, ko Samweli . . . nako,

"igihe ca Eli cari kirangiye, nk'umuherezi," kuko Imana yari yavuze, kandi Imana yari irungitse Ubutumwa bwaYo biciye kuri Samweli umuvugishwa. Yavutse mu buryo butangaje cane, ashikanirwa Imana akiri umwana. Imana yavuganye nawe, akiri umwana, kandi yariko imutegurira igikorwa cari kiri imbere. Kandi igihe ca Eli cariko kirarangira.

31 Hariho amajwi menshi cane mw'isi kino gihe, kuburyo ari ikintu kigoye cane, kuko ivyo binyoha Ijwi ry'ic'Indengakamere. Hari amajwi y'abanyabwenge menshi cane, amajwi akomeye y'abantu bahambaye b'incabwenge, aho, mu vy'ubwenge bwabo, banyiganyiza mbere n'amahanga. Si abantu b'ivyigangeso, ariko banyiganyiza amahanga, bakoraniriza hamwe amadini ahambaye, ibikorane bihambaye, biteye igomwe. Kandi amuntu vyomuteza kuzazanirwa. Birakwiye kugira bibazazanire, ukuntu ivyo bintu bibandanya bikaroranirwa. Kandi hariho amajwi a—aja hejuru agakora ivyo bintu, kandi bituma Ijwi ry'imana rishirwa inyuma kure ahantu hanaka, Ijwi ry'Imana ry'ukuri.

32 "Kandi Ijwi ry'Imana," bavuga bati: "twomenya gute ko ari Ijwi ry'Imana?" Kuko, kubw'iki gihe. . . Ico gihe ryaba riri mu muvugishwa yemejwe. None, uno munsi, ingene tumenya ko ari Ijwi ry'Imana, n'uko ari igaragazwa ry'Ijambo ry'umuvugishwa. *Iri* ni ryo muvugishwa w'Imana. Kandi Ijwi ry'Imana ry'ukuri rigarukana gusa ya Mana y'ukuri, nzima, y'Indengakamere, hamwe n'Ijambo ryaYo ry'Indengakamere, hamwe n'ukwigararagaza kw'Indengakamere kw'Ijambo ry'Ukuri. Aho duca tumenya ko ari Ijwi ry'Imana. Kuko, kandi iryo ry'Indenga-. . . Hari ayandi menshi cane mu zindi ngero, ahakwa kuRinyoha pe. Ariko, mwibuke, Rizokayangana, Rizokumvikana! Rizobikora.

33 Rero, hariho ijwi iki gihe mw'isi ya politike. Iryo ni ijwi rihambaye. Kandi abantu, ata nkeka, muri iki gihe gihambaye ca politike, bazo. . . Ivyo rero vyaravanganye mu mashengero yabo n'ibindi. Kandi incuro nyinshi, nk'uko twari duhejeje kubona, ko iryo jwi rya politike rifise inkomezi nyinshi gusumba Ijwi ry'Imana mu mashengero, atari uko ihanga ry'Abanyamerika ntibari gukora ivyo baheruka gukora. Murabona? Ntibokwigeze babikora. Iyo Ijwi ry'Imana riba ryagumijwe ari rizima mw'ishengero, ntibari kwigera bakora ayo makosa. Ariko ijwi rya politike rirakomeye cane mw'isi uno munsi kurusha Ijwi ry'Imana, gushika n'aho abantu bagurisha ubusamuragwa Rukristo bwabo ngo bironkere kuba rurangiranwa, ubumenyi, n'ububasha bwa politike. Birateye isoni cane kubona ivyo bintu. Ca kintu nyene catanguje igihugu cacu, ico cubakiyeko, abantu barahindukiye hanyuma—hanyuma batora ca kintu nyene catuma tuva muri kiriya kindi gihugu. Hamwe na—na Plymouth Rock, na *Mayflower* n'ibindi, igihe baza hano baku—bakubaka buno butunzi bukomeye dufise. Ca kintu nyene

twagwanya bikomeye ngo tuvemwo, twasubiye kwishira kandi mu ngoyi zaco, kuko Bibiliya ivuga ko ariko vyobaye.

34 Kandi umukorere wa Eli: umuherezi aho kuba umuvugishwa. Umuvugishwa ni Ijambo. Umuherezi nawe yari ishengero.

35 Kandi vyashitse ahantu aho ibintu bitangura gufatwa minenerwe gushika aho Ijambo riba ikintu kitamenyerewe ku bantu. NtibaRitahura. Rero urashobora kuRivuga, ariko ntibaRitahure, kuko bataRimenyerejwe. Paulo yavuze ati: "Hamwe inzamba yotanga ijwi ridasobanutse, ninde yokwitegurira intambara?"

36 Abantu bameneyerejwe i—i—ijwi ry'ishengero, inzamba y'ishengero, "Ishure ryo kuw'iyinga ryacu rifise abantu benshi kuruta abo bafise bose." Ivyo ntaco bivuze. "Idini ryacu rifise abantu benshi kuruta abo bafise bose. Nitwe dini rinini kuruta ayandi yose." Murabona, ubwo nibwo bwoko bw' amajwi abantu bamenyerejwe. Baraja hanze mu mabarabara, kugira ngo binjize abantu babagire abanywanyi. Biciye ku bikorane bihambaye, binjiza abantu ibihumbi n'ibihumbi bakabagira abanywanyi. None ikibaraje ishinga ni igiki? "Dufise ishengero rinini kuruta ayandi. Dufise ikoraniro rinini kuruta ayandi. Dufise ishure ryo ku w'iyinga rifise abanywanyi benshi kuruta ayandi. Umukuru w'igisagara akoranira mw'ishengero iwacu." Ivyo vyose bishobora kuba ari vyiza, ariko namba iryo shengero nyene ritamenyerejwe Ijwi ry'Imana, Inzamba y'Ubutumwa bwiza, vyoba bimaze iki?

37 Kandi iyo habaye ikintu nk'uko vyabaye muri leta yacu, habaye iki? Ishengero ntiryamenye Ijwi ry'Inzamba, hanyuma ntibamenya ico bokora. Amasezerano ahambaye yo kuroranirwa, ukuza kw'incabwenge ihambaye, abantu baciye bagenda neza neza muri ca kintu nyene Bibiliya yari yaravuze imbere y'igihe, baca baravyinjizamwo. Murabona, ijwi rya politike! Kandi vyerekanye ko ryarengeye Ijwi ry'ivyo gusenga, bitari uko ntibari gukora ivyo bakoze, Ijwi ry'Ubutumwa bwiza. Kubera twemerewe ibintu vyinshi cane, twemerewe kuroranirwa, kandi ata kenka tuzobironka.

38 Ariko, n'ubwo biri uko, ivyo ntaco bivuze ku wizera. Ni muzingurure mu Gitabu c'Abaheburayo igice ca 11, mwumvirize ivyo Paulo Mweranda avuga, ingene mu gihe cabo, "Bayerera hirya no hino bambaye inshato z'intama n'iz'impene, baburaniwe, batagira iyo baja, batashobora kwinjira mu gisagara."

39 Nariko ndasoma ibijanye na ya Nama y'i Nikeya, igihe impari zikomeye zavyuka i Nikeya, i Roma, imyaka amajana atatu inyuma y'urupfu rwa Kristo, muri ya Nama nkuru y'i Nikeya, igihe rya shengero rihambaye ryahagararira ukuri, bashaka Bibiliya. Ariko abari bizeye b'Abaroma ba rya shengero

rya mbere ry'i Roma bari binjijemwo imitegekere, tuvuge, nk'akarorero, nk'uko dufise Noheli.

40 Noheli, Kristo ntiyavutse ku munsi wa mirongo ibiri na gatanu w'ukwezi kwa—kwa Kigarama nk'uko nanje atariho navukiye. Kubera, imisozi y'i Yudaya yariko ibibarafu, kandi We. . . Birahushanye n'ubundi buvugishwa bwose bwa Bibiliya. Yavutse mu gihe c'iremba, nk'uko imyagazi y'intama yose ivuka. Kubera iki Yavukiye mu ruhongore aho kuvukira mu nzu? Yari Umwagazi w'intama. Ni kubera iki Atijanye gusa ku gicaniro canke ku gicaniro ciWe aho Yacumitiwe imisumari, ku musaraba? Yarajanywe ku musaraba. Intama irajanwa kw'ibagiro. Yari Umwagazi w'intama. Rero yavutse mu gihe imyagazi y'intama ivukira.

41 Ariko, murabona, mu gukora ivyo, bafashe umunsi w'ukuvuka kw'imana-zuba, ikaba, mu mukorere w'izuba, i—izuba mu minsi itanu kuva kw'itariki ya mirongo ibiri Kigama gushika itariki mirongo ibiri na zitanu Kigarama, izuba rihakwa kuba ritaboneka na mba. Bi—biza birahinduka gatogato buri munsi, umunsi ukaza uraba muremure wongera uba muremure gushika ubaye muremure kurusha iyindi muri Mukakaro. Hanyuma, muri Kigarama, ni ho haba umunsi mugufi kuruta iyindi. Rero aka kanya gato k'itariki ya mirongo ibiri na gatanu, kuva kw'itariki ya mirongo ibiri gushika kw'itariki ya mirongo ibiri na zitanu, baca bategura imikino y'Ikiroma n'ihimbazwa ry'ukuvuka kw'imana-zuba. Niho rero Jupiteri, ikaba yari imana y'Abaroma, baciye bayinjizamwo, mu kuvuga rero bati: "Tuzofata umunsi w'ukuvuka k'Umwana w'Imana n'ukw'imana-zuba, tubishire hamwe kugira ngo ube umunsi mukuru w'agakura." Ivyo biratandukanye! Kandi, oo, ese ukuntu binjijemwo ibintu vyinshi!

42 Kandi rero igihe abo bantu b'Imana b'ukuri bashaka kuguma kw'Ijambo, nka Polikarupe, Ireneyo, Maritino, abo bagabo bera, b'ijunja, ba kera bashaka kuguma ku Kuri . . . Igihe baja muri ya Nama y'i Nikeya, bamwe muri abo bantu bari baranswe cane gushika n'aho abo bavugishwa baza bavuye mu bugaragwa ata kindi kintu bambaye kiretse arushato rw'intama, baje muri iyo nama. Ariko bari bazi Ijambo ry'Umwami. Ariko ivyo kuba rurangiranwa, muri iyo minsi cumi n'itanu ya politike y'ubwicanyi, vyaciye biRirengera. Rero twaciye tugira imyaka igihumbi y'igihe c'umwiza, murabona.

43 Ariko Imana Yarasezeranye ko iyo Nzamba yokongeye kuvuga. Igihe cose abantu bumvirirza Ijwi ry'Ijambo ry'ukuri, mwame musuzumisha Ijambo ivyo mukora.

44 Ijwi rya politike. Natwe hano muri Amerika n'ahandi hose kw'isi, turafise ijwi rivuga cane kino gihe, iryo naryo ni ijwi rya Hollywood. Ryarigaruriye isi. Umuntu gusa apfe kuva i Hollywood n'ikintu kanaka, muzoca mugisanga mu

gihugu cose. Rero, turabona ko bashiriyeho abagore bacu imodeli, y'inyambaro zabo, y'ingene basokoza. Barashiraho izo nyambaro.

45 Ishengero ryotegerejwe kumenya Ijwi ry'Inzamba y'Imana kuri ivyo! Ariko hariho ukuzazanirwa kwinshi kuko ubona abandi bakora uko, uburorero. Ntukarabire kuri ubwo bwoko bw'akarorero, kuko ni ibishira. Iminsi yose wame wumviriza Ijwi ry'Imana, ico Ribivugako.

46 Nuko rero turabona ko, i Hollywood, bazikururа ibintu. Reka mvuge kuri vyo akanya gatoyi imbere y'uko tubandanya. Nta gihe giheze hari i—ikintu cabaye, u—umuntu muri Hollywood. . . Rero ntaco dupfa n'uwo muntu, n'umuntu apfa Kristo yapfiriye, ariko ni ukugira ngo ngire ico ndabereka. Barakoze akantu gatoyi bita, abana bakoresha, bakita ngo "hula-hoop", hula-hoop, ikintu nkico. Kandi nimba mumaze kwihweza ibiterasoni n'ibindi bikurikira ivyo, ivyo ari vyo, mu bana bato. Ivyo si vyiza.

47 Ubu, Hollywood yuzuye a—abarwanisha inkoho. Rero, uwo ari we wese azi kahise, arazi ko abo bantu kera mu gihe cabo, bari abarwanisha inkoho co kimwe ni—n'imirwi itandukanye, ntibari abanyagihugu biyubashe, bari abagarariji, bari bameze nka Al Capone na Dillinger. Barafise isinema i Hollywood bita, ku—ku mboneshakure, bita, "Umwotsi w'inkoho." Narumvise kuri *Monitor*, ejo bundi, ko umuhungu yayikinye, Arness canke ikintu nk'ico, canke Arness, canke ndibagiye izina ryiwe, yategerezwa gufata. . . Aserukira Matt Dillon yari umukuru w'igipolisi muri Kansas. Matt Dillon yari afise ubwoba nk'urukwavu. Yishe abantu birongo ibiri n'umunanni abarashe mu mugongo, abantu ataco bazira, mukuja hanze ya Dodge City akabategerera mu gashamba. Hanyuma iyo harenganye umuntu, umuntu umwe yaca amuhamagara akamubwira ko hari inkozi y'ikibi kanaka iriko irarengana, yaca ategerera ngaho, uwo muntu arenganye, agaca amurasa mu mugongo. Ubu tubona ko ari "umuntu ahambaye" arenganye. Rero, ata—ata nkeka uko ni ukuninahaza icaha. Ariko abana bato bo muri kino gihugu cacu barashobora kukubwira amakuru ya Matt Dillon kurusha uko bokubwira ivya Yesu Kristo. Ama—ama—amamangazini, n'amamangazini y'ibintu bizimbutse, n'aho badandariza impuzu, huzuye udu—udukininisho tw'inkoho dutoduto, n'udukofera dutoduto u—ushobora kugurira aho ari ho hose. Nta ngorane kwambara ivyo, ariko ndi—ndiko ndababwira gusa, murabona. Rero ba—ba, abari mu vy'urudandaza, bafata ico kintu bakagikuramwo ama miliyoni y'amadorari.

48 Turafise ico twita ngo "Umunsi w'Umutagatifu Patrick," turafise ico twita "iminsi mikuru ijanye n'ivyo gusenga." None abakora ivy'urudandazwa baciye babifata, bakavyironkeramwo ama miliyoni y'amadorari. "Umunsi mukuru w'aba Mama," imiganda y'amashurwe. Rero, buri munsi wategerezwa kuba

uwo kwubaha umumama. Ari ahantu kanaka, ashaje, genda umuramutse. Ivyo bifise agaciro kurusha ayo mashurwe yose womurungikira, canke ikindi cose. Murabona, ariko barabikamisha. Ni ijwi, na—natwe dugaca twivanga muri vyo. Vy'ukuri si vyiza. None wokora iki? Murabona, turi—turi gusa . . .

49 Ndiko ndagerageza gushika aho nobabwira ikintu kinaka, ico ni—nizera. Ijwi ni imbonekarimwe, Ijwi ry'Imana.

50 Rero, turabona ko aribo batanga akarorero. Mbega muramaze kwitegereza? Abahungu bacu bato bahindutse ba "Ricky" na "Elvis." Namba ufise umwana yitwa iryo zina, rihindure ningoga na ningoga, umwite nomero "imwe" canke "zibiri," canke ikindi. Ntugire, ivyo birateye ubwoba . . . Wovuga uti: "None izina rihindura iki?" Egome, koko, hari ico risigura. Izina ryawe ryerekana ubuzima bwawe. "Rero Mwene Data Branham, uri umunyabiharuro." Oya, sindi we! Ndi kuri UKU NIKO UHORAHO AGIZE! Vyagenze gute none igihe Yakobo, yari abayeho ubuzima bujanye n'izina ryiwe, u—umubeshi, intonyotsi, Yakobo. Kandi igihe Imana Yamuhindura, Yaciye ihindura izina ryiwe. Imana Yahinduye Sauli aba Paulo, Simoni aba Petero. Ata nkeka, birafise insiguro. Na Ricky na Elvis, n'ayandi mazina nk'ayo, ni amazina agezweho y'Abanyamerika ubwo nyene aca atwara umwana muri ivyo bintu. Murabona ico nshaka kuvuga?

51 Rero, ndizera ko nta . . . icoba ciza n'uko nogarukiriza hano simbandanye nja kure kuri ico kintu, (murabona ico nshatse kuvuga?) mugahava mudatahura. Ariko ivyo bintu vyose ntibinatahurwa n'umuntu asanzwe. Ntibabitahura, kuko bafise imforo imwe. Ico nico bumviriza gusa, ayo majwi.

52 Hariho ijwi ry'abacurabwenge, Ubukomunista, basezerana ibintu batari bushitse. Kandi naho biri uko igice kinini c'Abanyamerika barafashwe n'ivya Gikomunista. Rero, naragiye mu Bukomunista, mu bice vy'Abakomunista, nako, mu Budagi, mu gice c'ubuseruko bwa Berlin. Hariho amazu manini manini aboneka neza ubw'inyuma. Genda rero urabe imbere muri zo, ntizinaheze kubakwa. Ni ubutunzi butari bwo, bagerageza kwerekana ibintu binaka.

53 Kandi mu Burusiya, aho ivya Gikomunista vyatanguriye . . . Haheze imyaka myinshi, igihe nari umuvugabutumwa akiri muto, novuga ko haheze imyaka mirongo itatu n'itatu, igihe ivy'iyumviro vy'iki Nazi, ivya Gifashiste, hamwe n'Igikomunista vyariko biraduga, navuze nti: "Ndabivuze mw'Izina ry'Uhoraho! Ivyo vyose bizomirwa n'ivya Gikomunista." Ariko, mwoba mumaze kwiyumvira, Imana Yaradusigiye inzira yo kubivamwo, hamwe twokwemera kuyicamwo. Igice kimwe kw'ijana gusa c'Abarusiya nico c'Abakomunista, kimwe kw'ijana, ariko nico gice gitegeka. Igice kimwe kw'ijana c'Ubukomunista . . . igice

kimwe kw'ijana c'Uburusiya ni co ari Abakomunista, nako, ariko ni bo bategeka.

54 Nk'uko nyene, Hollywood ni ikibanza kimwe, ariko nibo bategeka.

55 Hafi ica gatatu canke ivya bitatu bibiri vy'abanyagihugu ba Leta Zunze Ubumwe za Amerika baraja mu rusengero, kandi ni abanywanyi b'ishengero, ariko ni bo bategeka muri ayo madini.

56 Ico Abakomunista bakeneye hariya ni uko Ijwi ry'Imana ryumvikanira hagati yabo, kandi Ryoca rituma bamaramara.

57 Muri Finilande, igihe wa muhungu mutoyi yazuka wa munsi, banjanye ahantu nko kurengana amabarabara atatu, y'aho uwo muhungu mutoyi yari yazukiye, umwe yari yapfuye; abasirikare b'Abakomunista, Abarusiya, bahagaze ng'aho n'isaruti y'Ikirusiya, amosozi atemba ku matama yabo. Bavuga bati: "Imana Ishobora kuzura abapfuye niYo tuzokwakira." Ni ugufata minenerwe kw'ishengero Gatorika n'ishengero ry'Abaluteriyano, hamwe nayo madini yose, bariko begeranya amahera yose, bubaka amadini, kandi ataco bariko baraha abantu. Bibereyeho nk'abandi bantu bose. Hategerezwa . . .

58 Ico Uburusiya bukeneye ni umuvugishwa yoja ku rubuga n'Ijambo ry'Uhoraho, ashobobora—ashobora kubacecekesha. Aho rero abo bandi mirongo icenda kw'ijana bazoca bategeka.

59 Ico America ikeneye ni Ijwi ry'uvugishwa n'Imana, ashobora guhagarara agacirako iteka Hollywood, kandi agacirako iteka ivyo bintu mw'Izina rya Yesu Kristo, aho Ishengero rya Mpwemu Yera rizoca ritegeka. Hari ukuzazanirwa kwinshi cane, murabona, amajwi menshi cane anyuranye aBigwanya.

60 Ishengero, ijwi ryaryo, rimwe ryose rishaka abanywanyi benshi biyongera. Ababatista babakeneye bose, Abametodiste babakeneye bose, Abaperesibiteriyano uko nyene. Ivyo twese turabifise. N'Abagatolika biboneka yuko bagiye kubafata bose, kandi bazobafata. Iryo ni neza na neza Ijwi ry'Imana riva muri iyi Bibiliya. Bazoganza.

61 Ariko Imana Isumba vyose amaherezo izoganza. Abera bazoganza, umusi umwe, Bibiliya ni ko yabivuze. Bazoganza.

62 Mbega amajwi menshi cane nk'ayo ateye ubwoba! Hanyuma hariho n'ijwi rya wa muvugishwa w'ikinyoma. Iryo ni ijwi riteye ubwoba, umuntu yiyita uvugishwa n'Imana. Umuvugishwa, ni koko, ni umugabutumwa. Ijambo "umuvugishwa" ryo muri iki gihe risobanura ata nkeka "umuntu avuga Ubutumwa ari munsi y'ihumekerwa." Hariho umuntu ahagarara akiyita umuvugishwa, kandi agahakana Ijambo ry'Imana, agahakana Ukuri kw'Imana. Hariho amajwi menshi cane!

63 Mu mwanya muto waheze, hari mwene Data yari iyo hanze yariko anyereka aho kwinjirira hano, ariko jewe. . . ndakeka ko yibajije igituma nabandanije kudugana ibarabara

hanyuma ngahindukira nkagaruka. Nimba uri hano, mwene Data, hari ico nariko ndumviriza, bari abagenzi ba—bacu b'urukoba rw'irabura, abirabure. Barafise urusengero hano, kandi barwita, "Eliya Muhamadi," canke ikintu nk'ico, "Eliya Muhamadi mutoya." Bahagurutse n'ijwi, kandi bavuga ko ari bo jwi rizokura u—ubwoko bw'abirabure muri uwu muvurungano. Ivyo, murabona, ico kintu nyene, urusengero rwa—rwa—rwabo rw'Ikiyisilamu ruri hano, Umusigiti wabo. Mbega, ntimubona, ko umushinge wavyo ubwawo, ari mubi!

64 Abantu b'urukoba rwirabura, co kimwe n'abantu b'urukoba rwera, abantu b'inzobe, n'abantu b'umuhondo, igikwiye si ugusubira ku vya Mu-. . . gusubira ku vya Muhamedi, ahubwo ni ukugaruka kuri Kristo, za ngingo ngenderwako nyene Bibiliya Yigisha. Ivya Muhamedi binyuranye n'Ijambo. Rero, igihe kimwe nararonse amahirwe yo gushikana Abayoboke ba Muhamedi ibihumbi cumi kuri Kristo i Durban, muri Afrika y'Epfo. Nta kindi kirimwo atari ivya pisikoloji. Kandi pisikoloji ni nziza igihe cose nya pisikoloji idahakana Ijambo. Ariko iyo pisikoloji ihakana Ijambo, aho rero nya pisikoloji ntiba ari yo. Iba iriko itanga ijwi ridatomoye. Hariho, ibindi vyose bizovaho kiretse Ijambo ry'Imana gusa, Yesu niko yavuze, "Ijuru n'isi bizovaho, ariko Ijambo ryaNje ntirizokwigera rivaho." Rero, murabona dutegerezwa kugumana n'Ijambo, rya Jwi.

65 Benshi baravanga ibintu ! Abantu barahaguruka, batazi Ijambo, bakavuga ibintu, kandi kumbure bigasa n'ivyumvikana cane. Ubukomunista ni ikintu cumvikana cane, "Abantu bose ni bamwe. Nta ba kapitaliste bakiriho, bose ni Abakomunista." Mwoba mumaze guhagarara ngo muvyiyumvire ko uwo ari umuvyuro w'ikinyoma, ndavuga Ubukomunisita? Kandi icitegererezo c'ivyo vyose bagikuye hehe? I. . . Yesu Yavuze Ati: "Izo mpwemu zibiri zobaye zegeranye cane, ku buryo vyozimije n'Abatoranijwe iyaba vyoshoboka." Kandi ivyo satani afise gusa, ni ukugoreka ivyo Imana yaremye. Icaha ni—ni ubugororotsi bugoretswe. Ikinyoma ni Ukuri guhinduwe nabi. Ubusambanyi ni—ni, igikorwa Imana yadutegetse, ariko kigoretswe. Ukutizera kwose ni ugugorekwa kw'ukwizera. Ubwirizwa guhakana Ukuri kugira ngo wakire u—ukugoreka. Murabona, gorora ayo majwi, uyagerageze n'Ijambo maze urabe nimba ari Ukuri.

66 Oo, ese ingene twoshobora kubandanya no kubandanya, kuri aya majwi y'uyu musi, ariko umwanya wacu waheze. Ariko, hari amajwi menshi cane ku buryo abantu batazi n'ico bokora. Abametodiste barateba bakumviriza umuvugabutumwa w'Umubatista, bakaja hariya, bakagumayo akanya gatoyi hanyuma bakaja ku Baluteriyano. Kandi no mu Bapentekoti, bafise imigwi itandukanye, umwe araja kuri umwe, uwundi akaja ku wundi, hanyuma bakagenda bagaruka. Ivyo vyerekana ko mudashikamye. Nimwumve Ijwi ryiwe! Ng'Iri, ryanditswe ku

rupapuro, Ijwi, iryo Jwi rizokwemezwa nimba Ari Ukuri.

67 Isi y'ivy'amashengero ntizi ico gukora, isi y'ivya politike iri mu muvurungano. Ibintu vyose bisa n'ibiri mu muvurungano. Abantu bariruka bakava hano, ikindi kintu kigahaguruka, ijaketi kanaka, ikoti kanaka. Igihe nari i Roma, bafise imisumari cumi n'icenda itandukanye bemeza ko yakubiswe mu kiganza ca Yesu; kandi hariho itatu gusa, ariko n'ubwo bir'uko bafise urutonde rw'imisumari cumi n'icenda itandukanye. None, ivyo bihindura iki ku wufise umusumari? Kristo ntiyigeze adusigira imisumari ngo tuyisenge, Yadusigiye Mpwemu Yera, ku bw'Ijambo ryiWe! "Ibi bimenyetso bizokurikira abizera, bazogira wa musumari w'inkomoko"? "Bazogira . . . Ibi bimenyetso bizokurikira abizera, bazoba abo mw'idini natanguje"? Nta na rimwe Yatanguje. Murabona ingene iryo jwi rihushanye?

68 Ariko, "*Ibi* bimenyetso bizokurikira abizeye: Mw'Izina ryaNje bazosenda abadayimoni." Ng'iryo Ijambo. "Bazovuga indimi nsha; bazofata inzoka, kandi ntaco bizobagira. Nibanywa ibintu vyica, ntaco bizobagira. Ni barambika ibiganza ku barwaye, bazokira." Rero nimurabe ivyo bintu mwongeyeko ibindi vyose mu Vyanditswe bishizwe hamwe.

69 Rero, ivyo vyonyene ntibizovyemeza, na gato. Aho ni ho twebwe Abapentekoti duhushiriza inzira. Mbega Yesu ntiYavuze Ati: "Benshi bazoza kuri jeWe kuri wa musi, bavuge bati: 'Mwami, sinakoze ibihambaye mw'Izina ryaWe? Sinavugishwa mw'Izina ryawe? Mbega ivyo vyose sinabikoreye mw'Izina ryawe?'" Yesu Aravuga Ati: "Mviraho, mwa nkorabiziramwe, sinigeze mbamenya." Murabona, ga bashikanje na bene Data, igituma ntunga urutoke cane uru runganwe nkanaruregа? Urashobora kuvuga mu ndimi nk'abantu n'Abamarayika, urashobora gutamba muri Mpwemu hirya no hino mw'ishengero, ivyo ntaco bisana na Vyo.

70 Narabonye Abo kwa Muhamedi batamba hirya no hino nk'uko. Narumvise umurozi . . . mw'ikambi y'abarozi, ndabona abarozi bahaguruka bavuga mu ndimi bakanazisobanura, bakavuga neza na neza ivyari bigiye kuba, kandi bikaba gutyo. Naranabonye n'ikaramu y'igiti ihaguruka ikandika mu ndimi zitazwi, kandi umwe gusa ng'aho ni we yashobora kubisoma, kandi yari uwa wa murwanizi. Ntushobora kwubakira ishikiro ryawe ry'Ibihe Bidashira ku nyiyumvo kanaka. Satani arashobora kwigana iyo ari yo yose muri izo nyiyumvo. Si . . . Ni ukumenya Kristo, hari ikintu gihinduka mu buzima bwawe. Suzuma ubuzima bwawe kandi ubugereranye n'Ijambo, maze ubone aho uri. Kurimbura, ata nkeka.

71 Naho hari ukwo kwigana kwose, ayo majwi y'ibinyoma, abo bavugishwa b'ibinyoma, ivyo bindi bintu vyose biriko birahaguruka, Yesu yamara yaravuze, naho hari ivyo vyose, ati

"Nihagira uwumva Ijwi ryaNje akaNkurikira." We ni Jambo. Nimwumvirize, igikorwa Yaduhaye uno musi, muri ayo majwi yose. Ivyo, navuze ko vyofata amasaha kugira ngo twerekane ayo majwi yose. Kandi birazazanira abantu, ni ikintu giteye ikigongwe. Kandi, n'ubundi, nta mahirwe ya kabiri uronka, ubwirizwa kuBifata ubu. Urashobora kutaronka amahirwe muri iri joro. Urashobora kutaronka amahirwe ejo. Ni ubu! "Nimwumva Ijwi ryaNje, ntimukomantaze imitima, nko muri ca gihe co kuratsa. Ubu nico gihe. Iki ni co gihe co kwemererwamwo c'aho umuntu wese yumva Ijwi ryaNje." Ivyo vyerekana ko Ijwi ryiWe ryobaye rikiri ng'aho nyene hagati mur'uwo muvurungano wose. Aracafise Ijwi! Kubera iki? Ijwi ryiWe rizokwamaho. Ng'Iri, "Ijuru n'isi bizovaho, ariko Ijwi ryaNje ntirizovaho," Ijambo ryiWe.

72 Reka dufate gusa, tuvuge, iyindi minota itanu, twihuta. Murashobora, muremera kumara uwo mwanya, canke iminota mikeyi? Ubu rero, ngira nihute. Reka dufate gusa bamwe bumvise iri Jwi bakaRyumvira. Uko Ryabatumye bakora, ivyo Ryabatumye bakora. Ubu rero, ngiye gusimba Ivyanditswe vyinshi—vyinshi cane hano, kugira ngo gusa nshobore gushika kuri mwebwe: ingene Vyahinduye ubuzima bwabo n'ubw'abo bose bari hafi yabo; ingene bahindutse akabarore, ico twita "akabarore." Umuntu wese yigeze kwizera Imana, yafatwa nk'akabarore. Kuko, iyo uri mu mpengamiro y'isi, haba hariho ikintu kitagenda neza kuri wewe. Kugira ube Umukristo utegerezwa kuba akabarore. "Kuko ababaho bubaha Imana bose muri Kristo Yesu bazohamwa n'isi. Yari mw'isi, kandi isi yaremwe na We, ariko isi ntiyaMumenye." Tunyarutse rero ubu, mwumvirize neza mu gihe tugiye guheza.

73 Adamu yarumva Ijwi ryayo, mu kayaga ko ku mugoroba, akagirana isangira na Yo. Nta rubanza rwari kuri Adamu. Yarumva Ijwi ry'Imana, akavuga ati: "Data, ubu ngira nigorore nryame." Hanyuma akaryama, na Eva ku kuboko kwiwe, intambwe, ingwe, n'ibikoko vyo mw'ishamba bikaryama bimukikuje, nta kibi cariho, nta buryo bwo kurwara, nta buryo bwo kwibaza nimba yovyutse mu gitondo, baravyuka. Adamu yumva Ijwi ryayo mu buryo yabwirizwa kuRyumvamwo.

74 Ariko umusi umwe yarumvise ijwi ry'umugore wiwe. Vyoba vyiza ivyo ndabiretse gatoyi. Ariko yumvirije ijwi ritari ryo, yamara yari umugore wiwe, ubucuti bwa hafi kuruta ubundi bwose yari afise kw'isi. Ni kuki atavuze nka Yobu ati: "Uvuze nk'umugore w'igipfapfa"? Iyo biba ukwo, ubwoko muntu bwose bwobaye buriko burabaho aho gupfa. Ivyo vyarahinduye amerekero y'ibiremwa bantu be n'igihe. Ariko yumvise Ijwi ry'Imana, yari afise isangira na Ryo, ariko igihe yahindukira . . . Yamenye gute ko umugore wiwe yari mu makosa? Mwibuke, cari kibereye ijisho.

75 Twiyumvira uno musi ko idini ryacu, ishengero ryacu,

twiyumvira yuko iterambere ryacu uno musi ari Imana iriko iratumwenyurira. Biboneka neza. Vyaboneka neza igihe Mikaya yari ahagaze hariya imbere ya ba bavugishwa amajana ane, kandi igihugu cose cari icabo, Abafilisitiya bari bacigaruriye, canke, Abasiriya, vyaboneka neza. Abo bavugishwa bariko bavuga bati: "Duga, ni ahacu. Uhafate!" Ariko ntiryari Ijwi ry'Imana. Niho Mikaya yahindukira akavuma iryo jwi. None yishimikije iki kugira ngo akore ivyo? Kuko iyerekwa ryiwe ryari rihuye neza na neza n'Ijambo. Ubwo ni bwo buryo bwonyene bwo kuvyizigira no kubibona uno musi, bitegerezwa kuba bihuye n'Ijambo.

76 Hanyuma none mwabibonye? Adamu amaze kwumviriza irindi jwi ritari Ijwi ry'Imana, umugore wiwe bwite. . . Kandi n'ishengero ririko rirumviriza ijwi ry'ishirahamwe ryaryo, ribinjizamwo za nemera aho kubinjizamwo Ijambo, rikabareka bakiberababaho uko bashaka kwose. Mu gihe baja mw'ishengero kandi bakaba abanywanyi b'ishengero rinaka, ivyo ni vyo bihambaye gusa. Isano rya hafi cane uwizera afise kw'isi, kuri bo, ni ishengero. Ariko uwizera, uwizera nyawe, isano rya hafi cane ni Mpwemu Yera, ni Ijambo ry'Imana.

77 Nuko rero murabona ko Adamu yatahuye uko yari ameze, hanyuma yumva Ijwi ry'Imana ryongera guhamagara, kandi yari yambaye amababi y'umusukoni ico gihe. Ariko ryari Ijwi ryo guca urubanza, "Ni kubera iki wakoze ivyo?"

78 Ndibaza nimba Amerika uno musi, canke isi muri iri bomborana ryayo ry'ikidini, nk'uko iri, na Amerika iriko iramira, iriko iramirwa, rizoba idini ry'igihugu vuba cane. [Agace atakiriko kuri bande—Umw.]

79 Ni nde yicaye imbere yanje? Ndazi yuko ibi bifatwa kuri bande kandi bizoja kw'isi yose. Turafise porogarama z'amabande, ku buryo buri Butumwa bwose bushikira isi yose, ibindi bihugu vyose.

80 Ariko, hamwe mworaba mukabona, muhagaze mwambaye amababi y'umusukoni gusa. Iyo Ijwi ry'Imana ry'ukuri rivuze, ntibamenya ico bari bubikoreko. Birazazanye, ntibazi ico gukora.

81 Twihuta, Nowa yarumvise Ijwi ry'Imana. Ryariko rirategura gukiza ubugingo bwiwe, aca arakurikiza amabwirizwa yahawe maze arahagarara.

82 Umuntu niyumva Ijwi. . . Ubu rero nimwumvirize, iki nimugifate neza. Ntimugihushe. Iyo umuntu yumvise Ijwi ry'Ikintu Kinaka, kandi iyo Ryemejwe ko ari Ijwi ry'Imana, kandi ku gihe, hanyuma rero ivyo bikava muri uwo muntu, ijuru n'isi bizovaho ariko iryo Jambo ntirishobora kuvaho.

83 Nowa yarumvise iryo Jwi, maze atsindisha isi. Kandi baramutwenze imbonankubone kuko Ubutumwa bwiwe—bwiwe butahura n'ivyo bashitseko mu vy'ubushakashatsi, ariko

imvura yaraguye itako ihonya isi yose. Murabona? Ijwi ryiwe ryarumvikanye, imbuto yari ng'aho. Mu bihe vyose vyamye bimeze gutyo nyene.

84 Samweli, yarakangutse igihe yumva Ijwi ry'Imana, ko yari . . . kuja gucira urubanza Eli, umuntu yari yaramureze. Umuntu yari yaramubereye se kandi akamurera akanamugaburira.

85 Bene Data bakozi b'Imana, ndabikore? Abakozi b'Imana, kenshi, ku mpamvu z'idini na za nemera vyabo, impapuro z'uburenganzira bafise mu mifuko yabo, bahawe na ba se, ishirahamwe nyene ryabareze rikabagaburira rikabakuza no kubashira mu kibanza mw'ishengero, no kubashira mw'ikoraniro, babwirizwa gucunya imbere y'ivyo bigisha. Murabona? Mbega ikintu giteye ubwoba ku mukozi w'Imana w'ukuri kwumva Ijwi ry'Imana hanyuma bikaba ngombwa ko asubira muri iryo shirahamwe nyene ryamuvyaye, akavuga ati: "Muraciriwekw'iteka kuko mwanse kwakira iri Jambo." Mbega ikintu!

Vyari bigoye kuri Samweli. Ariko yari umuvugishwa, yategerezwa kubikora. Atitaye k'ukuba vyarababaza canke bitababaza, yategerezwa kubikora uko vyari kwose.

86 Mose yarumvise Ijwi ry'Imana. Yari yuzuye tewolojiya. Yari azi *ido* n'*ido* ryayo ryose, ariko vyarananiwe. Amaze kumva Ijwi ry'Imana, Mose ntiyasubiye kuba nk'uko yari ameze.

87 Kandi nta muntu yigera asubira kuba nk'uko yari ameze. Urashobora kwumva mu matwi yawe iryo—iryo Jwi Rivuga, ariko iyo wumvise mu mutima wawe, iryo Jwi ririko riravuga, murabona, rero uba uriko urumva koko. Ntubona n'ijisho ryawe. Urabisha ijisho ryawe, ukabonesha umutima wawe. Iyo ubonye ikintu kinaka, ukavuga uti: "Ntaco mbona pe," uba ushatse kuvuga ko utagitahura. Ntiwumvisha amatwi yawe, wumvisha umutima. Kenshi amatwi yawe arumva Ijwi ry'Imana ry'ukuri, hanyuma Rikanyerera rikuvako kumwe kw'amazi ava ku mugongo w'imbata. Ariko iyo wumvise vy'ukuri, wumvisha umutima wawe.

88 Kandi hamwe na tewolojiya yose Mose yari afise, ntiyari bwumve Ijwi ry'Imana. Ariko umusi umwe Imana yarahamagaye uwo mwungere w'imyaka mirongo umunani ngo aje ku ruhande ivugana na we, maze aca araRicakira. Yarerekanye ko Yari Imana. Ikintu ca mbere Yakoreye Mose, kwari ugushingira intahe Ijambo ryaYo, "Ndamanutse, nibutse ivyo Nasezeranye."

89 Kandi ibi ni vyo Yasezeranye kubw'iminsi y'iherezo. Yohagurukije ihanga mu Banyamahanga, n'amasezerano yose.

90 "Ivyo narabisezeranye." Ivuga iti: "Mose, kura inkweto zawe." Mu yandi majambo, Vyubahe. "Ubu rero, nuterere inkoni yawe hasi." Hanyuma i—inkoni yumye yo mu bugaragwa ihinduka inzoka, maze Mose arayifata, yongera gusubira uko

yari imeze. Murabona? Yari azi ko ari Imana, kuko Imana yari yavuze, Ijambo ry'Imana, Ijambo Yariko iravuga, Ivuga iti: "Terera iyo nkoni iri mu kuboko kwawe hasi." Iryo ni Ijambo ry'Imana. Ntugerageze gukora nk'ivyo nyene, iryo si Ijambo ry'Imana kuri wewe, iryo ni Ijambo ry'Imana kuri Mose. *Ng'iri* Ijambo ry'Imana kuri wewe! "Terera inkoni hasi." Yaciye ihinduka inzoka. Ivuga iti: "Mbega urayitinya? Yifate ku murizo," hanyuma isubira nk'uko yari iri. Ijambo ry'Imana kuri we. None Yakoze iki? Imana yaremeje Ijambo ryaYo.

91 Nararonse terefone impamagara hano mu mezi make aheze, haciye, oo, haraciye nk'umwaka, haraciye umwaka urenga. Umugore umwe muto yari kuri telefone, ari kumwe n'umuvugabutumwa w'Umubatista be n'umuvugabutumwa w'Umupentekoti. Aravuga ati: "Mwene Data Branham, Umwami yangize umuvugishwakazi."

Nca mvuga nti: "Ni vyiza."

92 Avuga ati, "Urazi, narabwiwe ko wavuze yuko wa—washingiye intahe igikorwa canje ko cavuye ku Mana."

93 Ariko, ivyo sinari gushobora kubikora, biranyuranye n'Ijambo. Kubw'ivyo rero nca mvuga nti: "Mupfasoni, uko ni ukwihenda. Nta n'uko ndakuzi."

94 Hanyuma wa muvugabutumwa w'Umubatista, naramwumvise, numvise uwo muvugabutumwa w'Umupentekoti. Uwo mugore aca avuga ati: "Neza, ndiko ndagira igikorane hano." Yongera avuga ati: "Umwami Ariko Arakora ibintu bihambaye."

95 Nca mvuga nti: "Ivyo ndabikenguruka." Aca avuga ati . . . Nca mvuga nti: "Mbega hari ico Arigera akubwira kugeza ubu?"

Aca avuga ati: "Ego, mfise porogarama nini mu minwe."

96 Nca mvuga nti "Ni vyiza cane." Navuze nti: "None, porogarama yawe ni iyihe?" Mvuga nti: "Umwami yakubwiye iki?"

97 "Yavuze ati: 'Genda i Phoenix, muri Arizona, kw'itariki *runaka*, hanyuma nzoca Ndaguha Ikirombwe c'Inzahabu ry'Umuholandi yazimiye, hanyuma uzofata izo nzahabu ziri ng'aho maze utange uburyo bwo gushigikira abamisiyonari kw'isi yose.'" Mu gihe twese tuzi ko ico Kirombwe c'Umuholandi yazimiye ari igitito gusa. "Ni ko rero Yavuze."

98 Nca mvuga nti: "Neza, ngomba nkubwire ingene womenya ko ari Imana canke atari yo." Navuze nti: "Uzobe uhari uwo musi. Hanyuma niwaronka koko ico Kirombwe c'Umuholandi yazimiye, aho rero izoba ari Imana. Nutaronka ico Kirombwe c'Umuholandi yazimiye naho, aho rero uce wihana wikureko iyo mpwemu y'ikinyoma." Uko ni kwo umenya ko ari Imana canke atari Yo.

99 Imana Yavuze Iti: "Mose, terera inkoni hasi, irahinduka inzoka." Yarabikoze. Iravuga iti: "Yitore irongera kuba inkoni." Yarabikoze.

100 Igihe Imana isezeranye igikorwa c'ibango muri iyi misi y'iherezo, Izocemeza neza na neza nk'uko Yavuze ko Yobikoze. Niho rero muzomenya ko mwaronse Ijwi nyaryo. Muriko mwumviriza Ikintu nyaco, kuko ari Ijambo ririko riremezwa. Murabona? Oo, ukuntu . . . Murantunga, jewe . . . Ni vyiza.

101 Mose yakoze ukundi. Nimurabe ico—ico kintu gitwengeje Mose yakoze. Rero, igihe cose iyo uriko urakurikira Ijwi ry'Imana, uba uri umusazi, ku b'isi. Bukeye, tubona Mose, ari kumwe n'umugore wiwe yicaye ku nyumbu, n'umwana mutoyi ku bibero vyiwe, niko bavuga mu bumanuko, "umwana" ku bibero vyiwe, ng'abo baragiye. Uwo mutama afise ubwanwa burereta nk'*uku*, n'umutwe wiwe w'ubuhanza ukayangana, n'inkoni mu kuboko, agendesha indogoba ntoyi, amanuka aja muri Egiputa yihuta uko ashoboye kose. Umuntu umwe aramubaza ati: "Mose, uriko uja hehe?"

102 "Manutse muri Egiputa, kuhigarurira." Mu gihe yari yarananiwe akiri umusore, yari yarananiwe nk'umusirikare, ariko ng'aha yariko aramanuka kugira ngo ahigarurire. Kandi yarabikoze. Kubera iki? Yari yumvise Ijwi ry'Imana kandi araRibona ryemejwe mu gihe ciwe; kuko ibintu vyategerezwa kubaho mu gihe ciwe, yarabibonye.

103 Paulo, Umufarisayo wo mu buryo bw'umwihariko, yuzuye tewolojiya uko bishoboka, ariko umunsi umwe yarumvise Ijwi ry'Imana. Yarabonye Inkingi y'Umuriro, aca amenya yuko hari ikintu gitandukanye. Vyarahinduye ubuzima bwiwe. Ntaco vyari bivuze uko Abafarisayo bose bangana, ba Gamaliyeli bangahe canke ikindi kintu cose cashobora gusemerera kibwira Paulo ngo, "urihenda, urihenda," Paulo yari yumvise Ijwi ry'Imana, yari azi ko Kwari Ukuri.

104 Petero, umunyedini uko yari ashobora, akurikiza imigenzo y'abakurambere, ntiyoshobora kurya inyama namba. Oya, mushingantahe. Nta co yashobora guhurirako navyo na gato. Yarakurikiza vy'ukuri imigenzo y'abakurambere, kw'Ijambo neza. Vyagenze gute? Umunsi umwe yumvise Ijwi ry'Imana rivuga riti: "Ntiwite ivyanduye n'ibihumanye, ivyo nahumanuye." Yari umuntu yahindutse. Yari yiteguye kuja aho ariho hose Umwami yomurungika.

105 Mu gusozera, noshobora kuvuga ibi. Hariho umuntu umwe igihe kimwe yari uwizera. Yari amaze iminsi ine apfuye. Yari mu mva, anuka, yaboze, ariko yumva Ijwi ry'Imana rivuga riti: "Lazaro, sohoka!" Kandi nimba Ryarazuye umuntu yari amaze gupfa no kubora, none Ryokora iki kw'ishengero rigifise ubuzima muri ryo? Ryategerezwa kubazura, rikabakura muri uwo muvurungano w'ayo majwi yose twavuze, y'ikidini, ya

politike, Hollywood, ubuvugishwa bwose bw'ikinyoma n'ivyo bintu vyose vyavuzwe. Hagati muri ivyo vyose, Ijwi ry'Imana ry'ukuri rizohamagara umuntu, yapfiriye mu vyaha no mu bicumuro, ngo yongere kuba muzima. Ryategerezwa gufata ishengero ryasubiye inyuma, rikarihamagara ngo ryongere kuba rizima. Ata nkeka!

106 Nimwibuke, mu gusozera, mvuge ibi, hanyuma nsozere. Yesu yavuze ko: "Igihe kizoshika, aho abari mu mva bose bazokwumva Ijwi ry'Imana." Kandi mugiye kuRyumva. Uko mumeze kwose, muzoRyumva uko biri kwose. Kandi bamwe mu bazova mu mva, bazotsindwa n'urubanza. Barumva Ijwi, ariko ni Irica urubanza. Kandi ni mwaRyumva uwu munsi, "Uwu munsi, inyuma y'igihe kirekire kingana gityo, nimwumva Ijwi ryaNje, ntimukomantaze imitima yanyu, nk'uko mwabigize muri ya misi y'ukuratsa." Kandi nimba mwebwe, Bapentekoti mwongeye kwikoraniriza hamwe muri za nemera, mu vy'isi, "bafise ishusho y'ukwubaha Imana ariko bagahakana Ubushobozi bwako," imbere y'uko mubwirizwa guhaguruka mw'izuka kugira ngo mucirwe urubanza, kuko Ijwi ry'Imana rivugana namwe ubu biciye mw'Ijambo rizobacira urubanza kuri uwo musi.

107 Nimba uri uwizera w'akazuyazi gusa, Ijwi ry'Imana rirasemerera mu mutima wawe muri iki gitondo riti, "Uri uwizera w'akazuyazi," vyoba vyiza wihanye!

108 Mwebwe bagabo, bagore, abahungu canke abakobwa, mutabayeho ku bwa Kristo, kandi Ijwi ry'Imana rivugana namwe biciye mw'Ijambo ryaYo rivuga riti "reka gukora ivyo," vyoba vyiza ubikoze. Kuko uzosubira kuryumva umusi umwe, kandi Rizogucirako iteka. Ntushobora kuryihakana, ririko riravugana nawe ubu nyene. Kandi, mwibuke, ibi biriko birafatwa kuri bande.

109 Kandi abakora ibigororotse bakumva Ijwi ryiWe, bazozukira mu bugororotsi, mu Bwiza, baje mw' Ijuru.

110 Rero mugiye kwumva Ijwi ry'Imana igihe kanaka. Kumbure mu buryo bwiyoroheje muri iki gitondo ririko riravuga mu mutima wawe, yuko ukwiye guhindukira ukava mu nzira uriko uracamwo, ugasubira ku Mana. Rero, mwibuke, iryo Jwi rivugana n'umutima wawe, rizofatwa mw'Ijuru. Kandi umunsi umwe Yesu niyahamagara, kandi abari mu mva, bose, abeza n'ababi, bazozuka. Kandi iri Jwi nyene rizongera kukwongorera riti: "Muri Phoenix, Arizona, ku w'Iyinga *umwe* mu gitondo, igihe umukozi w'Imana yari yabafatiriye umwanya muremure cane, ariko avuga kw'Ijwi, naravuganye nawe; narababwiye mwebwe bagore ngo mureke umushatsi wanyu ukure, mureke kwambara impuzu z'urukozasoni; narababwiye bagabo ngo mureke ivyo kubesha, kunywa itabi; narababwiye mwebwe bavugabutumwa ngo mugaruke kw'Ijambo ry'Imana." Murabona ico nshaka kuvuga? Ukwo ni ukuri.

Iryo Jwi ryiyoroheje Riravuga Riti: "Bishobora kuba ari ukuri."

111 Naho notegerezwa kuza nka Nikodemu, n'ubundi nogerageza gushikayo. Noza kuri We, nkaja ahantu hanaka mu bugaragwa, nkavuga nti: "Mwami Mana, ehe ndi hano, mpindura aka kanya. Mbumbabumba mu buryo bwawe." Nimugaruke kw'Ijambo. Ahantu kanaka aho ubona ko uriko urava mw'Ijambo, garuka kuri ryo ubwo nyene, kuko ubukomezi bw'umunyororo bubonekera ku gace kawo kagoyagoya kuruta utundi. Kandi aho hose mu buzima bwawe wahevye ibwirizwa ry'Imana, kugira ngo ukorere umugenzo, aho nyene niho umunyororo wawe uzocikira naho woba ushikamye gute mu bindi bintu. Fata ukuboko kw'Imana kudahinduka.

112 Dusenge. Uyu munsi, inyuma y'igihe kirekire cane, Mwami, Wavuze ko Wovuze, ko Wokwanditse amabwirizwa yawe ku bisate vy'imitima. Sinzi ibiri imbere yanje. Ikintu kimwe gusa nzi gukora ni ugufata Ijambo ryawe nkarikwiragiza, ata nkeka Rizorwa munsi y'ibitandara ahantu kanaka. Ndasenze, Mana, ngo Uvugane na buri muntu akiri muto wese, buri muntu akuze wese, umutama, uko yoba ari kwose. Vugana n'umutima wanje, Mwami. Vugana n'imitima y'aba bakozi b'Imana. Vugana n'umutima w'ikoraniro.

113 Turasenze, Data, ngo uyu munsi twumve Ijwi ryaWe. Kandi turazi, nk'uko vyari biri mu misi ya Samweli, iyerekwa ryeruye cari ikintu c'imbonekarimwe, kandi ryatera ubwoba abantu. No muri iki gihe ni ko biri. Turafise indoto n'abarota, turafise abavuga n'abasobanura, ariko iyerekwa ryeruye rizanana n'Ijambo ry'Umwami, rigakosora . . . Turasenze, Data uri mw'Ijuru, yuko iryo Jwi ryariko rirasemerera mu bugaragwa ngo: "Mutegure inzira y'Uhoraho," ko twizera ko Mpwemu Yera atanga iryo Jwi kandi uyu musi ngo, "Nimwitegurire Ukuza kw'Umwami!" Kandi ese ukuntu ari ikintu kidasanzwe, kuko hariho ayandi majwi menshi cane yo kurinyoha no kuryigizayo, ariko ni iry'igikundiro mu matwi y'abaRyumva. Ndasenze ngo Mpwemu Yera akore igikorwa kano kanya mu mitima yacu twese.

114 Kandi mu gihe twunamitse imitwe yacu, kandi nizigiye ko n'imitima yacu yunamitswe: Nimba uzi ahantu hanaka utumviye mu buzima bwawe, uzi Ivyanditswe kanaka, uzi ko ari inyigisho ya Bibiliya utari bwisunge, kubera ikintu kanaka, ijwi rya Hollywood ryagutumye ukora ikintu gitandukanye. Ahantu hanaka mwebwe bakozi b'Imana mwabonye ahantu muri Bibiliya, ikintu mu vy'ukuri ari Ukuri, ariko mukaba muzi ko idini ryanyu ryoca ribata hanze muramutse muvyigisha, kandi mukaba muzi ko ari Ukuri mu buryo ntabanduka. Kuri mwebwe bantu mufata ikintu kitari co, mukabaho ubuzima butari bwo. Mwebwe ba se na ba mama mutariko mugerageza gukosora abana banyu, mutariko mugerageza kubarera. Birashoboka ko

mwogerageza uko mushoboye kwose, ariko bakaguma baja neza na neza mu vy'isi uko biri kwose, ariko muzoba mwarabahaye akarorero ko gukurikira. Ariko nimba mutariko murabikora, Ijwi ry'Imana ririko rirababwira riti: "Ivyo ntimubikore."

115 Ubu rero na buri mutwe wose wunamitswe n'amaso yose ahumirijwe, kandi Imana yo mw'Ijuru nirabe mu mitima y'abo bashonje maze ibone aho bari mu makosa. Kandi baduze ukuboko hejuru ku Mana, bavuge bati: "Mwami, vy'ukuri ndipfuza ko Ijwi ryaWe rinkuramwo ukutizera kwose, n'ibintu vyose bitameze nkaWe, maze rikangira ico ushaka ko mba." Mwoshobora kuduza ibiganza, mu gihe u. . .? Umwami Ahezagire. Imana Iguhezagire.

116 Hanyuma Bibiliya yaravuze, Yesu yaravuze, n'ubwo hari ayo yandi majwi yose, ati: "Yamara umuntu niyumva Ijwi ryanje." Nimumukurikire, muzoronka icipfuzo canyu.

117 Mwami, igihe kiriko kirahera. Ariko Bibiliya ivuga ngo: "Abizeye bose, barabatijwe." Ndasenze, Data wo mw'Ijuru, ngo umwe wese muri abo badugije ibiganza vyabo mu kwatura kw'ukuri, yuko basomye Ijambo ry'Imana, maze babona ko bari mu makosa. Sinigeze ndaba n'igice cabo. Si jewe wo kuraba, ni Wewe wo kuraba, Mwami. Urazi intego n'intumbero biri inyuma y'ukuboko kwadugijwe. Reka, kuva kuri iyi saha nyene, bigire inama mu mutima wabo bati: "Kuva uno musi, kuva ubu, nzofata Ijambo ry'Imana n'Ijwi ry'Imana, ndaRikurikire uko ikiguzi coba kiri kwose." Kandi bazirikane, uko bagenda, ya ndirimbo ya wa mwivuzi w'amazina, " Mbega Yesu ategerezwa kwikorera umusaraba wenyene, isi yose igende ataco yinona? Oya, hariho umusaraba kur'umwumwe; hariho n'umusaraba wanje. Kandi nzikorera uwo musaraba wejejwe, gushika aho urupfu ruzombohorera." Hanyuma Ijwi ry'Imana rivuze, "Nzozuka nambaye Ukugororoka kwiWe, kuko nakurikiye Ijwi ryiWe, Ijwi ry'Ijambo ryiWe." NdabaGushikirije aka kanya Mwami, mw'Izina rya Yesu Kristo.

118 Ubu rero mu gihe imitwe yacu yunamitswe, mukaba muriko muratura mugira n'indagano zanyu. Ndatangajwe n'ako gahungu gatoyi kicaye aho, kaguma kazunguza umutwe mu mpande zose. Kandi hariho Ijwi kw'ishengero rivuga riti, "Ndi Uhoraho Agukiza indwara zawe zose." Iryo ni Ijwi riri mw'ishengero. Kandi mwebwe mwese mukeneye gukira, kandi mubayeho ubuzima bweguriwe Ijambo ryose ry'Imana muzi iciza ico ari co, mukaba mukeneye gukira indwara, ndibaza nimba mwoduza ibiganza vyanyu gusa. Nimuduze ibiganza vyanyu muvuge muti: "Mwami, ndakeneye gukira." Ni vyiza.

119 Ubu rero, mugumize iryo Jwi mu mutima wanyu, "Ndi Uhoraho agukiza indwara zawe zose." Mwibuke, iyo Ijambo Rivuzwe, Ritegerezwa gushika. Yesu Yavuze, Mariko 11:22, Ati: "Hamwe wobwira uwu musozi uti: 'Shinguka,' ntubikekeranye

mu mutima wawe, ariko ukizera ko ivyo wavuze bizoshika, uzoshobora kuronka ivyo wavuze."

120 Rero, umwe wese mu buryo bwiwe aka kanya, unamika umutwe wawe, wature uti: "Mwami, ndizeye Ijambo ryaWe. Ndiko ndumva Ijwi ryaWe rimbwira ko Uri wa wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose." Ngomba manuke ndambike ibiganza kuri uyu mwana, kuko aracari muto cane kugira ngo amenye ivyo ari vyo, agahungu gato k'igiciro, gashaka kungana mu gihagararo no mu myaka na Joseph wanje muto. Kandi ndashaka ko mwese muba muriko murasenga, musenga muti: "Mwami, ndumva Ijwi ryaWe. Ndizeye."

121 Data wo mw'ijuru, turazanye rino koraniro kuri wewe kugira ngo ukize umubiri wabo. Kandi, Mwami, ehe kano kana gato kagorwa kicaye hano, kagumye kankwegera kuri ko mu mwanya wose w'Ubutumwa, mbona umuvyeyi yicaye aho afashe ako kana gato. Biciye mu buhinga bw'ubuvuzi, nta cizigiro gisigaye kuri uwo mwana muto. Hariho Ijwi ry'Imana riri hejuru ya vyose. Kandi nk'uko iri shengero ryifatanirije hamwe gushitsa ibwirizwa ryose nzi gukurikiza, ibisigaye ni ivyaWe, Data. Ndururutse kugira ngo ndambike ibiganza kuri uwo mwana.

122 Mana Data, mw'Izina rya Yesu Kristo, iki ndagiciriyekw'iteka. Reka ububasha bw'Imana, ugukiza kw'Imana . . . Reka habeho ubudasa muri we mu minota itanu iza . . . ? . . . reka bose . . . ? . . . ku bw'icubahiro caWe.

123 Data Uri mw'Ijuru, Waratanze isezerano. Ivyo nivyo nzi gusa, Waratanze isezerano. Vyakozwe, nk'uko vyavuzwe, "Ni mwa*bwira* iki," kandi ndiko ndabwira buri dayimoni yose y'ingwara canke y'umubabaro iboshe iri koraniro, iboshe aba bantu, impwemu yose y'ukutizera, ndiko ndayibwira nti: "Va muri abo bantu, mw'Izina rya Yesu Kristo!" Ubu rero, turazi ko vyanditswe, kandi ubu vyavuzwe, reka bibe, ku bw'icubahiro n'ubwiza vy'Imana. Kandi mw'Izina rya Yesu Kristo niho bisabwe.

124 Ubu rero, mwebwe mushobora kwizera, kandi mwizeye koko, uko vyogenda kwose, si ngombwa ngo biboneke, urubuto rwaguye ng'aho. Ako kantu gatoyi kari muri wewe, iryo Jwi. Muvyeyi w'uyu mwana, uko umwana yoba ameze kwose, urizeye urubuto rw'Imana rwaguye mu mutima wawe, ko uwo muhungu azokira? Namwe abasigaye muriko murasenga, musengeranira, murizera ko urubuto rw'Imana rwaguye mu mutima wanyu, "indwara yanje iraheze"? Hanyuma mwasengewe isengesho ry'ukwizera, shimitsa neza iyo nkingi. Kandi Satani yihenze akagerageza, muce mugaruka ubwo nyene muvuge muti: "Igihe nari mpagaze muri rya shengero ry'Igisupanyoli, kuri wa musi w'iyinga mu gitondo, narasengewe isengesho ry'ukwizera. Kandi Imana Yarasezeranye!" Isengesho ryo kwizera rizokiza abarwaye kandi Imana izobavyura. Bitegerezwa gushika.

Muravyizeye? Vuge muti: “Amen.” Imana ibahezagire. Ubu rero ngomba gusubiza igikorane Mwene Data Rose, ndibwira ko ari hano, Mwene Data Jewel Rose.

63-0120M Ijwi Ry'Imana Muri Iyi Minsi Y'Iherezo
Ishengero ry'Intumwa
Phoenix, Arizona Leta Zunze Ubumwe za Amerika

KIRUNDI

©2025 VGR, ALL RIGHTS RESERVED

VOICE OF GOD RECORDINGS
P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.
www.branham.org

Itangazo rijanye n'Uburenganzira

Uburenganzira bwose burarinzwe. Iki gitabu kirashobora gusohorwa ku mashini yo muhira kugirango umuntu agikoreshe canke gitangwe, ku buntu, nk'igikoresho co gukwiragiza Ubutumwa Bwiza bwa Yesu Kristo. Iki gitabu ntigishobora kugurishwa, gusubirwamwo ku rugero runini, gushirwa ku rubuga, kubikwa mu buryo bwo kurondera amakuru, guhindurwa mu zindi ndimi, canke gukoreshwa mu gusaba amahera ata ruhusha rwanditse rwa Voice Of God Recordings®

Ushaka kumenya vyinshi canke ushaka kuronka ibindi bikoresho bihari, ushobora kwandikira:

VOICE OF GOD RECORDINGS
P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.
www.branham.org